jesus beim WORT genommen

April / Ndamukiza 2018 *kirundu*

Urankunda?

(Yoh 21,16)

Credo – Ndaguhaye umutima wanje !
Credo – I give you my heart !

„Freunde des Wortes“

Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen
Tel.: 0049-172-5638432
Mail: mail@onword.de
homepage www.onword.de

Bakunzi b'Ijambo,

Ivyo ntibisanzwe namba, aho mu Mibereho ya misi yose umuntu akubaza ati: Urankunda? Ivyo bisanzwe birekuriwe abantu bakundana bari mu kwubakana. Umuntu aca yibaza ati uyo abaza ico kibazo, aba asanzwe yibwira ko akundwa. Mbe murazi uwigeze kubaza ico kibazo? - Ni Yezu yakibajije umwe mu bagenzi biwe bishikira : „Petero, urankunda?“ Uyo nawe hari haciye imisi mikeyi amwihakanye. „ Urazi neza ko ngukunda“, niyo nyishu Petero yamuhaye - kandi ayivuga gatatu. Gurtyo yari atanze „Credo“ yiwe agira ati : „ndaguhaye-umutima-wanje“!

Hari umunyeshure w'umwigeme w'umuyabaga yagiye mu mapfungo. Ku mugoroba wa nyuma. patiri yabipfungisha arasigura ivyerekeye wa musore w'umutunzi.Ivyo yavuze vyamubereye ijambo ry'impamba yatahanye muhira. Ryari ryerekeye „ububi“ mbere „isanganya“ riri mu gutunga vyinshi. Itunga riratwaka umwidegemvyo. Yarumvise ko uwutunze, yamana ivyo ahobora kubura. Nikwo rero guca yandika ati : „ese ukuntu muri iyi misi iri ryungane ryagumye ringarukako. Nanje nyene ubwanje ndatangajwe n'ingene Imana yangabiye vyinshi (so crazily loved!) kandi ivyo ni vyiza. Ivyo vyose ntavyo nyri nkwiye! Vyaje „ku buntu“ - nk'ingabirano. Es ingene nari nihuse kugira ico nanje nokora. Naciye numva mbaye „umutunzi“. Erega iyo Yezu atwakuye, hari aho yumva umutima uboshwe gusa, nka wa musore wo mu njili. Aho rero mariye kubitegera, hanjemwo iciyumviro ngo : „Erega hereza Yeu, ivyo nyene umatiyeko!“ Niho naciye nsenga mvuga nti : „Mukama, nshize mu minwe yawe vyose, ishaka ryawe ni riranguke!“ Emwe, ico gisabisho caravyuye muri jewe akanyamuneza kanini.Vyari rero binsobanukiye neza : **Iyo mpereje vyose Imana, nayo icimpa ivyayo vyose, ikanyiha yo nyene.** Ako kanyamuneza kari kandimwo, yari inzira yo kwumva ko Imana inyegereye.

Bakunzi b'Ijambo, umutima wacu ufise impengamiro yo kwihuta gufata ikintu, kandi ico kintu atari Imana. Ico gihe hose haba huzuye – haba hatunze. Nta kibanza rero kiba kigisigaye c'Imana. None rero tugire umwete wo kwama dupakurura umutima wacu, kugirango duheze tuwumuhereze We nyene. Erega ashaka kuwuzuza n'urukundo nyakuri, kuko asanzwe ari umukundwa wawe. Mubwire rero ku musi ku wundi gushasha uti : **Credo – ndaguhaye umutima wanje! Credo – I give you my heart!**

Ku bwa OnWorldTeam Meinolf Wacker